Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°815 15 Rusama 2024

## Umuryango w'Abamisiyonari b'Abasaveriyano waraye wungutse umusaserdoti mushasha



Ku wa Gatandatu igenekerezo rya 04 Rusama 2024, akanyamuneza kari kose muri Paruwase Kamenge yitiriwe Umweranda Guido Maria Conforti , aho iyo Paruwase yari iramutse yigina iyatirwa mw'ibanga ry'Ubusaserdoti Jean Paul Majambere. Wari kandi umunsi wo kwigina imyaka 60 iheze uyo muryango w'abamisiyonari b'abasaveriyano ushitse mu Burundi.

Ivyo birori vyose bikaba vyabereye mu nkuka y'imisa yari irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, ari kumwe na Nyenicubahiro Musenyeri w'Inararibonye, Evariste Ngoyagoye, abasaserdoti n'abihebeyimana batari bake. Aho ntituvuze abakristu isinzi ba Paruwase kamenge, abavyeyi, incuti n'abagenzi ba Jean paul majambere bari baje kumushigikira.

Mu nyigisho yiwe, Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa yatumiriye abari aho cane cane uwagira yatirwe mw'ibanga ry'ubusaserdoti, kugira umutima w'ukuzigama ibanga no kuzirikana ko batowe n'Imana . Ati « Muri iri banga ry'ubusaserdoti ugira watirirwe,

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Dukomeze ibikorwa, ku buryo umwe wese arimbura ivyo yakoze

Ijambo rishikirijwe na nyenicubahiro umukuru w'igihugu c'Uburundi ku musi mpuzamakunga w'abakozi

Ndaramukije Abarundi bose iyo bava bakagera, n'incuti z'Uburundi, ndababwira nti : ni mugire amahoro, ibikorwa n'iterambere !

Bavukanyi, Barundi, Barundikazi,
Bakozi, Bakoresha,

1. Imana Mushoboravyose, Nyen'ubutungane nishemezwe yoyo yaduteye iteka tugashika kuri uno munsi turi mu mahoro n'umutekano kandi turi ku kivi.

Bavukanyi mwese,
Bakozi namwe bakoresha ;

2. Kw'igenekerezo rya 01 rusama, abakozi bo mu Burundi barifadikanya n'abo mu bindi bihugu mu guhimbaza Umusi Mpuzamakungu waharіwe Abakozi n'Akazi.

Iki ni ikiringo c'uko abakozi n'abakoresha baja hamwe kugira biginane, bongere birimbure kandi bigire inama yo gutunganya akazi neza kugira umwimbu wiyongere.

Ni na ho havuye icivugo c'uyu mwaka kivuga kiti : "**Dukomeze ibikorwa, ku buryo umwe wese**

Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

o Abarongoye intwaro ni abakozi b'abenegihugu.........................................7
o Inyuma y'imyaka 31 ridakora, Ivuriro ry'i Karinzi ryaraye ryuguruwe.................................................................................................................6
o Isoko nkuru ya Bujumbura igiye gusubira kwubakwa..................9
o Uburenganzira bw'umwana bwo kugira umuryango .........................10

# Umunsi mukuru wa Pentekoti : *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: Vy'Abat. : 2, 1-11

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa :

(*Bose buzura Mutima Mweranda*)

Umunsi wa Pentecoti wasanze abatumwa bose bakoraniye hamwe. Niho havyuka intureka iva mw'ijuru imaze nk'umuyaga w'igihuhusi, wuzura inzu barimwo hadaciye n'akanya. Babona haserutse imbeya zimeze nk'indimi z'umuriro, ziricagura zija guhagarara ku mutwe w'umw'umwe wese mu bari aho. Bose buzura Mutima Mweranda, batangura kuvuga izindi ndimi ku rugero Mutima Mweranda abahaye kuzivuga.

I Yeruzalemu naho, hagerereyemwo abantu bubaha Imana, bari bavuye mu ntara zose ziri munsi y'ijuru. Aho bumviye intureka, abantu bose barashwabaduka bumiwe bwumirwe, kuko umwe wese yumva abatumwa bavuga ururimi rw'iwabo. Bagwa mu gahundwe, baraheza bavuga bati: "Aba bantu bavuga si ab'i Bugalile? Bigenze bite ko umwe wese yumva bavuga ururimi rw'amavukiro, uri ab'i Pariti, uri ab'i Medi n'abo i Lamati, uri abaturuka i Mezopotamiya n'i Buyudeha n'i Kapadosiya n'i Ponti muri Aziya, uri Abanyafrijiya n'Abanyapamfiliya n'Abanyamisiri be n'abava mu ntara y'i Libiya yegereye Sirene, uri Abaromani bari ino, uri Abayahudi n'abatoranye idini yabo, uri Abak-reti n'Ababarabu, twese twumva bahaya mu ndimi zabo ivyiza vy'Imana.

## Igisomwa ca kabiri: Abanyakorenti: 12,3 -7. 12 -13

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti:

(*Muri Mutima umwe niho twabatirijwe twese ndo tube umubiri umwe*)

Ncuti zanje, nta numwe yoshobora kuvuga ati: "Yezu ni Umukama atabivugishijwe na Mutima Mweranda. Niko, hari ubwoko bwinshi bw'ingabirano, mugabo Mutima akaba umwe; hari ubwoko bwinshi bw'imirimo, mugabo Umukama akaba umwe; hari ubwoko bwinshi bw'ibikorwa, mugabo Imana yo itanga vyose muri bose ni imwe nsa. Umwe wese ahabwa na Mutima ingabirano, kugira ngo igirire akamaro bose. Nkuko umubiri ari umwe, ukagira ingingo nyinshi, na zo izo ngingo zose zikagira umubiri umwe, naho ari nyinshi, niko Kristu ameze nawe. None natwe, muri Mutima umwe niho t wabatirijwe twese ngo tube umubiri umwe, baba abayahudi canke Abagreki, abashumba canke abidegemvya; bisubiye, twese twagabanye Mutima umwe.

## Inkuru nziza : Yohani : 20,19- 23

Alleluya, Alleluya.

- Ingo Mutima Mweranda, niwuzure imitima y'abakwemera, gira ko urukundo bagufitiye rwomera muri bo nk'umuriro waka.

Alleluya.

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani :

(*Kumwe Data yantuma, nanje niko ndabatumye: nimuronke Mutima Mweranda*)

Ku mugoroba w'uwo munsi, ari wo mubarwa wa mbere mu ndwi, mu nzu yarimwo abigishwa, bari bugaye inzugi kugutinya abayahudi. Niho rero Yezu yaza, agahagarara hagati muri bo, ababwira ati: "Nimugire amahoro!" Avuze atyo abereka ibiganza vyiwe n'urubavu rwiwe. Abatumwa ngo babone Umukama baranezerwa. Yongera ababwira ati: "Nimugire amahoro! Kumwe Data yantuma, niko nanje ndabatumye." ababwiye ivyo arabahuha ati: "Nimuronke Mutima mweranda, abo muzorekurira ibicumuro bazoba babirekuriwe, abo muzobigumizako na bo bizobagumako."

### Ingabirano indwi za Mutima Mweranda

**(1 Abanyakorenti 12,7):**

**1. Ubwitonzi, 2. Ubwenge, 3. Ubuhanuzi,**
**4. Ubukomezi, 5. Ubumenyi, 6. Ugusenga,**
**7. Ugutinya Imana (Ukubaha Imana)**

### Ivyamwa 9 vya mutima mweranda

**(Abanyagalatiya 5,22-23):**

**1. Urukundo, 2. Akanyamuneza,**
**3. Amahoro, 4. Ukwiyumanganya,**
**5. Ubukundanyi, 6. Ubuntu,**
**7. Ukwizigirwa, 8. Ukugenza buhoro,**
**9. Ukwigumya – ukwigerera**

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana ryo ku munsi mukuru wa Pentekoti

Uyu munsi ni umunsi mukuru w'umuzo wa Mutima Mweranda ku Batumwa, kikaba ikimenyetso c'intango y'Ekleziya, intango y'ubutumwa abatumwa bahawe na Yezu Kristu, bwo kugenda kumenyesha Ijambo ry'Imana zina kiremwa cose gushika aho isi igarukira ; ubutumwa bwo gutanga ikigongwe c'Imana, ubutumwa bw'ukubohora isi.

Umunsi mukuru wa Pentekoti ni umunsi mukuru uhambaye cane ku mukristu no kuri Ekleziya yose.

Yezu Kristu yari yagiye aramenyesha abatumwa biwe ko, naho agiye gusubira kwa Se, mu buninahazwa bwiwe, atazobasiga ari impfuvyi, atazobasiga bonyene.

Akababwira ko vyobabera vyo agiye kuko atagiye batoronka Mutima Mweranda, Mana Data azobarungikira kw'izina rya Yezu. Yezu yari yabwiye abatumwa biwe ico Mutima Mweranda azobamarira. Yavuze ati : « Nimwaba munkunda, muzozigama amabwirizwa yanje, nanje nzosaba Data, nawe azobaha uwundi mutabazi muzokwamana iminsi yose » (Yoh 14, 15-16). Yezu arongera ati : « Wa Mutabazi Mutima Mweranda Data azorungika kw'izina ryanje, ni we azobigisha vyose yongere abibutse ivyo nababwiye vyose » (Yoh 14,26.

Uyo Mutima Mweranda niwe azoburanira abatumwa « Kuko ntagiye, Umutabazi azobaburanira, ntazoza iwanyu »(Yoh 16,76). Yezu yongera ati : « Aho Mutima w'ukuri azozira, azobahishuka ukuri kwose ; nkako ntazovuga ivyiwe, azobabwira ivyo azoba yumvise » ((Yoh 16,13), agireko ababwire ibizoza.

None uyu munsi ni Pentekoti. Ni ukuvuga ko wa Mutima Mweranda Yezu yemerera abatumwa yashitse. Ni we aje kwamana nabo, ni we Umutabazi ; niwe azokwigisha akongera akibutsa ivyo Yezu yababwiye vyose ; niwe azoburanira abatumwa igihe bazoba bariko barasambishwa n'abanka ukuri kw'Imana , maze uyo Mutima agaha abo batumwa ubwenge n'ubwitonzi ata n'umwe azoshobora gutsinda mu babagwanya. Ni Mutima w'ukuri.

Mu Nkuru nziza, Mutima Mweranda yatanzwe na Yezu ku munsi w'izuka ryiwe, ati : « Kumwe Data yantuma, niko nanje ndabatumye. Ababwiye ivyo, arabahuha, ati : Nimuronke Mutima Mweranda abo muzorekurira ibicumuro bazoba babirekuriwe, abo muzobigumizako na bo bizobagumako."

Umunsi mukuru wa Pentekoti ni intango y'ubutumwa bw'abatumwa, kandi bategerezwa kubanza kumuhabwa.

Mutima Mweranda yararanguye ibitangaro vyinshi aho yashika. Yaramaze ubwoba abatumwa ("Nimugire amahoro!"), arabasohora baja ahabona. Yarabahaye ubwenge, bibuka ivyo Yezu yari yabigishije vyose, abahishuka ukuri kwose, nabo baca baragushikiriza.

Mu gisomwa c'Igitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa (**2, 1-11)**, Mutima Mweranda yashitse arangura igikorwa c'ukunga abantu mu bumwe bumwe, bacika umuryango umwe mu kubaha kwumva ururimi rumwe, ikimenyetso c'ubumwe bw'Ekleziya.

Aho kera abantu bari bagize ubumwe bakabukoresha mu kwihanga Imana, nayo igaca isobanganya ururimi rwabo ntibasubire kwumvikana, ubuho Mutima Mweranda akoze igitangaro c'uko abantu baje bava mu mihingo yose, bo mu bwoko bwose, batavuga ururimi rumwe, bumva inyigisho y'abatumwa, umwe wese mu rurimi rwiwe, kandi bose batangura no gushemeza Imana.

Ubwo bumwe si ukuja hamwe ngo abantu bakoranire uyo muntu, ngo bamutuze, ngo bamubeshere, ngo bamuvuge. Ni ubumwe bwubaka umuryango umwe w'abakunzi b'Imana, w'abaninahaza Imana.

Mutima Mweranda arababazwa n'amacakubiri abantu bagira.
None rero wewe wazingamitswe n'amacakubiri n'inzigo, wewe wama urondera icotandukanya abantu, uriko urihe-nda, uriko uracumura kuri Mutima Mweranda. Hinduka, hindura inyifato n'ingiro n'imvugo vyawe, garuka ku ngabirano Mutima Mweranda yakwujuje kuva aho wabatizwa, akazikunengesereza mw'isakaramentu ryo «Gukomezwa».

Hariho abakristu beza bahawe na Mutima Mweranda ingabirano z'ukunywanisha abantu, z'uguhindura ivyo vyose abantu bashinga, bategekanya biteba bikarema ukurenganya n'ugucinyiza, n'ukugumiriza hasi uwundi muntu. Kenshi abo bakristu beza barabizira, bagakumirwa, bagatwengwa.

Nkako, ntaworoherwa ariko aravuga ubutungane ahari akarenganyo, ntawororherwa ariko arigisha urukundo n'ubumwe aho akagunge n'amacakubiri vyatse indaro. Kuko Mutima Mweranda ni rukundo ni Mutima yunga ubumwe n'ukurekuriranira ; ni Mutima asubiza ikiyago aho cari carabuze.

Nidusabe Mutima Mweranda abandanye muri twebwe ivyo yakoze kw'i Pentekoti ya mbere, adushiremwo igisharara c'ukuri n'urukundo, tubone kubana nk'abavukana.

Amen!!!

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Umuryango w'Abamisiyonari b'Abasaveriyano waraye wungutse umusaserdoti mushasha

(Bitangurira ku rup.1

harimwo ibigeragezo bitari bike, kandi witega ko bizogushikira. Ariko urama wibuka ibanga ushinzwe. » Yamuragije umuvunyi w'umuryango w'Abamisiyonari b'Abasaveriyano yinjiyemwo, ariwe Umweranda Guido Maria Conforti. Ahejeje insiguro, haciye haba umugirwa wo kwatira Jean Paul Majambere.



Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ariko yatira Jean Paul Majambere

Inkuka y'imisa irangiye, baciye baja kwiginana mu nyubakwa y'imisi mikuru yitiriwe Umweranda Fransisko Xaveri iri mu kigo ca Paruwase Kamenge, ari na ho havugiwe amajambo atandukanye y'uwo musi, warimwo iminsi mikuru ibiri y'akanyamuneza : kwatira umusaserdoti mushasha no guhimbaza imyaka 60 iheze Abamisiyonari b'abasaveriyano bashitse mu Burundi.


Tubibutse ka naho bari mu kanyamuneza, nta minsi yari iheze, uyo muryango ubuze umwe mu basaserdoti bawo, Patiri Marchetto Sergio .

Ku wa Gatatu igenekerezo rya 1 Rusama 2024 ni ho umuryango w'abamisiyonari b'abasaveriyano, bari kumwe n'abakristu bagwiriyemwo abo muri Paruwase Guido Maria Conforti yo mu Kamenge bari basidukanye n'iyonka baje guherekeza no gushingura Patiri Marchetto Sergio wo muri uwo muryango, yari asanzwe arangurira ubutumwa muri iyo Paruwase.

Patiri Marchetto Sergio yitavye Imana ku wa Gatanu igenekerezo rya 26 Ndamukiza 2024. Umugirwa wo kumusezera ubwa nyuma hamwe n'Inkuka ya misa, vyabaye ku wa Gatatu igenekerezo rya 1 Rusama 2024.

### *Icaranze Patiri Marchetto Sergio*

Patiri mukuru wa Paruwase Kamenge, Patiri Philbert Ntahimpera, ari na we asanzwe aserukira umuryango w'abamisiyonari b'abasaveriyano mu Burundi. Yatumiriye abari aho kugira umutima w'ukwitanga n'uw'ugushima ubworo nka Patiri Marchetto.



**Patiri Sergio Marchetto**

Patiri Marchetto yari afise umutima w'ukwitanga n'uw'ugushima ubworo, agakunda gufasha aboro, kandi yakunda ibikorwa, cane cane ivy'amaboko. Ikindi caranze Patiri Marchetto Sergio, yakunda kuyaga n'abantu batandukanye, agakunda gutanga amasakramentu, cane cane iry'Ukaristiya, iry'ikigongwe n'iry'isiga ry'abarwaye.

**Patiri Noël Ntirandekura**

# Umusi mpuzamakungu ugira uwa 58 wahariwe ukumenyesha amakuru muri Ekleziya Katolika waraye uhimbajwe

kuri uyu w'Imana igenekerezo rya 12 Rusama 2024, Diyoseze Nkuru ya Bujumbura yarahimbaje umunsi mpuzamakungu ugira uwa 58 wahariwe ukumenyesha amakuru.

Uyo munsi wahimbajwe ku civugo kivuga kiti: "(«Intelligence artificielle et sagesse du cœur: pour une communication pleinement humaine»), nk'uko cashikirijwe na Nyenubweranda Papa Fransisko (Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'ubwitonzi bw'umutima ).

Abamenyeshamakuru gatolika rero b'aha i Bujumbura bakaba bari bahurikiye hamwe ngo bihweze inyifato ibereye umumenyeshamakuru w'umugatolika muri ibi bihe vy'ubwo buhinga, bongere baharonkere n'inyigisho y'Ekleziya yerekeye inyifato umukristu yogira imbere yabwo.

Ku bwa Patiri Dieudonné Niyibizi, Umwibutsamana w'abamenyeshamakuru n'izindi ncabwenge zo muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, ibibazo vyibonekeza mu bihe vya none biterwa n'abakoresha nabi ubwo buhinga.

Patiri Dieudonné Niyibizi agira ati: «Ubuhinga bwose Imana itanga birakunda ko buteza imbere umuntu.» Arongera

Ibikur. urup. 12

# Dukomeze ibikorwa, ku buryo umwe wese arimbura ivyo yakoze

(Bitangurira ku rup.3

**arimbura ivyo yakoze».**

3. Iki civugo kitwereka ko ata n'umwe arekuriwe kuba « mbegera mire », ko twese dutegerezwa gukora, ariko kandi tukagira umwimbu uharurika, ni ukuvuga umwimbu uwo ari we wese abona n'amaso yiwe.

4. Aha mwese murazi icatumye Uburundi butava aho buri mw'iterambere. Ni amahoro n'umutekano vyari vyabuze, bituma ata n'umwe agira umwizero wa kazoza ngo ashobore kugira umugambi azokwungukamwo ejo bukeye. Bose bumva ko ari ukubaho ku musi ku musi, ari co gituma igisata c'abikorera ivyabo cagiye kiracumbagira kandi ari co gisata giteza imbere igihugu.

5. Uno musi rero duhiriwe duhishije kuko tuwuhimbaje turi mu mahoro n'umutekano mu gihugu cose, ukaba ubaye kandi hari umwumvikano hagati ya Reta, abakozi n'abakoresha.

Kuri uyo mwumvikano, turashimiye abagize umugwi w'igihugu ujejwe gutatura amatati hagati y'abakozi n'abakoresha. Turazi ko ibibazo vyo mu kazi bitigera bibura, nakare Abarundi bavyihweje ni bo bihaye kubitegera bati : « Ahari abantu hama uruntu-runtu ».

Umwe wese arakeneye akarusho ku wundi, ni co gituma ari ngombwa ko baguma baganira kugira inyishu ive muri bo nyene.

Barundi, Barundikazi, Bakozi, Bakoresha,

6. Twirimbuye tutibabarira, ariko kandi tutifyeta ibitarunze, dusanga uyu mwaka twawimbuyemwo ivyiza bitari bike. Ivyo na vyo muri rusangi, tubikesha ukuntu Abarundi bahinduye uko bahora biyumvira : kare igisata c'uburimyi cari cahebewe abitwa abakene, abize amashure bakagica kure.

Umurimyi bamwita nyarucari ; none ubu n'abakire baracijukiye kuko babonye ari ho koko hagwiza umwimbu. Ubu Abarundi basigaye bahurumbira gukorera hamwe mu makoperative uko batahora, mbere barijukiye n'ubwenge bwo guteranya amatongo.

Mu gisata c'Uburimyi, umwimbu warabaye mwiza cane, uku si ukwihema ; abaronse akabiri mu gushora umusesekara barabizi. Mbere ngaha nciye ntera akamo abagwizatunga bahingura kuja ku kivi kugira bahingure, umwimbu ushobore kubikika no gushorwa ku masoko mpuzamakungu.

7. Nkiri ngaha nyene, mu gisata c'amahinguriro, twarabonye ko hagwijijwe amahinguriro matomato, mbere na maninimanini turafise icizere ko agiye kugwira kuko ubuza gusha buratagata. Turabona ko ubu abanyabwenge bariko barabukoresha mu kuremarema utuntu dushasha, abakora ama mashini yo guhingura, mbere n'abahingura imiduga bakaba batanguye canke abakora utumashini dukora mu burimyi.

8. Mu gisata ca mukerarugendo na ho nyene abikorera utwabo ntibicaye. Ivyo bikaba ari vyo bituma ata mwenegihugu abura ico akora, kuko n'uwubuze ivyiwe akora akorera abandi, bakamuhemba hanyuma akibeshaho.

9. Aha ni n'akaryo ko gusuzuma ko ivyo abakozi basavye abakoresha mwak'uyu biratorerwa inyishu. Naho inzego z'igihugu atari inkoresha mu vy'ukuri, abakorera igihugu nabo barafise ivyo basaba hanyuma ababijejwe bakabironderera inyishu ku neza ya bose.

Aha ni ho mbere ho gusubira kwibutsanya ko Reta Atari umukoresha nka barya bandi bikorera ivyabo. Abakora mu bisata vya Reta, ni abasuku b'abenegihugu, baba bariko bitangira abenegihugu.

Muri ico gikorwa rero na bo barafise uburenganzira bwo kuraba ko hari ikiri mu kigega ngo kibaramire, bakore batekaniwe mu mutima, kuko mu nda harara inzara hakazinduka inzigo.

10. Mu gisata c'abakozi ba Reta, dusuzumye dusanga ibitari bike vyaratorewe umuti, ibindi bikaba bibandanya, bivuye ku kungene ikigega cifashe.

11. Abakozi ba Reta barenga 90% bararonse uturusho twari twarahagaritswe kugira dushobore kwegeranya ubusumbasumbane bw'impembo bwibonekeza mu bisata vya Reta. Ndetse n'abakozi b'igihugu bari inyuma cane mu gahembo, canecane abajejwe amahoro n'umutekano n'ibindi bisata, barongerejwe ku rugero rushimishije, ababijejwe bakaba baguma baharura ingene umukozi w'igihugu yoramirwa mu vyo akora.

12. Ntitwovuga ko Reta yatanze akazi kuko abandi bobaza igituma nabo batagahawe kandi ari abana b'Uburundi. Ahubwo ibisata vy'igihugu vyari bikeneye abakozi kurusha ibindi vyarabaronkejwe, hakaba hinjijwe abakozi bashasha bashika 2.874 mu gisata c'indero, abashika 160 mu gisata c'amagara y'abantu.

Ngaha nagira nkebure Abarundi batwarira hejuru batabajije ko abo bose binjijwe bakoze ikibazo bataravye nkunzi, mbere n'abagize amadidane bararonkejwe umwanya wo kwitwara, abatarira busema bararenganurwa.

13. Ku bijanye n'ukwigisha canke gukarihi-

Ibikur. urup. 8

# Inyuma y'imyaka 31 ridakora, Ivuriro ry'i Karinzi ryaraye ryuguruwe

Hari ku wa gatandatu igenekerezo rya 27 Ndamukiza 2024, niho Nyenicubahiro Musenyeri Gervais banshimiyubusa, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, yagira umugirwa wo guhezagira Ivuriro ry'i Karinzi, ryitiriwe umweranda Raphaël.

Hari haheze inyuma y'imyaka 31 iryo Vuriro ryarahagaze kubera intambara yo mu mwaka w'1993, Kuva mu mwaka w'2021, niho ryatangura kunagurwa icese ngo risubire gukora.

Umwepiskopi Mukuru na we yarabasiguriye ico uwo mugirwa wo guhezagira, uvuze ku bakristu, ati: «Ukwinjira iri vuriro ni igikorwa kimwe mu vyo Yezu akiri ngaha kw'isi yaja arakora, n'ubwo wewe atarinda gukoresha ivuriro nka twebwe abantu! Dukoresha amavuriro kugira ngo dushobore kwitwararika abarwaye, dushobore kubakiza.»

Ngo hari aho bikunda ko abarwaye bagakira n'aho bidakunda, ariko ngo n'uwushengeye, agashengera abona y'u-ko hariho abari bamwitwararitse, bariko baramuvura, ashengerana umutima mwiza, kuko aba yabonye urukundo rw'Imana mu bantu baba bariko baramwitwararika.

Uwo Mwepiskopi Mukuru yarasavye abashinzwe kurangurira ubutumwa kuri iryo vuriro ko, iruhande y'ubuhinga bafise bwo kuvura hamwe n'akarangabutumwa k'Ekleziya n'akarangamutima k'ubuvuzi, na cane cane ku vyerekeye irondoka rijanye n'amagara meza, ko bokwama bibuka akarangamutima k'umuvuzi uwo ari we wese. Yarabasavye ashimitse ko uwuzoza abitura wese, ko bomwakira neza, ntibamutere imiragwe canke ngo bamuce iruhande nk'uko umenga ntibamubona.



Mu kwakira no kugamburuka ubutumwa bashikirijwe n'Umwepiskopi bwo kuyobora iryo Vuriro, Umukuru w'umuryango w'Incoreke za Bikira Mariya, Séraphine Ndikumana yagize ati: «Mu muryango wacu turahimbawe, Diyoseze Nkuru ya Bujumbura yaratwizeye mu kudusangiza ubu butumwa, kandi turabwakiriye neza».

Séraphine Ndikumana yagiriyeko aratanga n'impanuro kuri bagenzi biwe bazokora kuri iryo vuriro, ati: «Namwe, bavukanyi, ko umuryango wabahisemwo, muragerageza kuba ba kanyamuneza, kugira ngo n'uwuje ababara agire ka mitende kuko asanze mushobora kumwakira neza; kandi ndabipfurije kuba ababikira b'intwari, zidatinya umusalaba!»

Musitanteri wa komine Mutambu, Umupfasoni Lyduine Habonimana yarakengurutse cane Diyoseze Nkuru ya Bujumbura kuri iryo Vuriro rigarutse muri Komine arongoye. Yaribukije abari aho ko iryo vuriro rije gusahiriza irya Leta, na ririya muri iyo komine, n'amavuriro asanzwe ahari ngo yari ashitse ahamanuka.

Mu kanyamuneza kenshi k'abanyagihugu bo mu Karinzi k'ugusubira kwugururirwa ivuriro ryabo ryari rimaze imyaka irenga 31 ryarugawe kubera urwimo, Umwepiskopi Mukuru, mu kuribahezagirira, hamwe n'Incoreke za Bikira Mariya barishinzwe, eka mbere n'abaganga bagiye kurangurira ubutumwa kuri iryo vuriro, barisanganiye n'indirimbo zo gushemeza Imana.

Ivuriro ryitiriwe umweranda Raphaël ry'i Karinzi ni ivuriro riherereye muri Komine Mutambu mu ntara ya Bujumbura, iruhande y'isengero ya Paruwase Karinzi.

Ni ivuriro ribaye busanurwe, kuko ryari ryarigeze kubaho, riragijwe Umuryango w'ababikira b'Abaschoenstatt, mu nyuma ryarugawe kubera urwimo rwo mu mwaka w'1993 igihugu caciyemwo, rugatuma abo babikiri bata bagahunga, kuko umwe muri bo yari yagandaguwe.

Iryo vuriro rigiye mu yandi akukira Ekleziya Gatolika, ari mu migambi ikurikiranwa n'igisata ODDBU- Caritas, rikaba riragijwe Incoreke za Bikira Mariya.

Iryo vuriro, ritanguranye ibisata vy'ubuvuzi bw'ibanze ku bana no ku bakuze, isuzumiro ry'indwara, aho batangira imiti, aho abavyeyi bibarukira, aho baryamika abakurikiranwa, be n'ububiko bw'abitavye Imana. Ritanguranye ibitanda hafi 50.

Mwomenya ko mu mugambi wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, n'uko iryo Vuriro ryohinduka rikaba Ibitaro bizopfunyiriza urugendo abahora barinda kumanukanwa ku bitaro vyo mu Kabezi.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Abarongoye intwaro ni abakozi b'abenegihugu

Gabriel Rufyiri arongoye ishirahamwe OLUCOME ngo aratewe impungenge cane n'ingene ibintu biguma biyangara mu Burundi kandi abarongoye intwaro barorera. Agira ati: « Abarongoye intwaro, ni bibuke ko ari abakozi b'abenegihugu».

Yabivuze ku wa 8 Rusama 2024 mu gihe yariko aramenyesha icese ko aherutse kwandikira Umukuru w'igihugu c'Uburundi amwereka ibintu vyihuta vyokorwa kugira ngo ingorane zidasanzwe z'ubutunzi ziri mu gihugu zishobore gutorerwa umuti.

Ariko nk'uko abivuga, ngo abategetsi dufise, basa n'uko batanezwe abenegihugu. Ati: « Ico bakora ni kwikomeza bo nyene no gukomeza umugambwe uri ku butegetsi». Ivyo ngo vyibonekereza mu ngendo zitungukanye abo bategetsi baguma bigira haba mu gihugu hagati canke hanze y'igihugu.

Kubwa Gabriel Rufyiri, ngo izo ngendo nibazihagarike bicare hamwe barondere riho umuti w'ikibazo kihari kuko ubutunzi ngo bugeze ahatemba muri kino gihe.

Uwo musesanguzi muvy'ubutunzi avuga ko kw'isi nzima, iyo abenegihugu babuze ibintu vya ngombwa ngo babeho, Reta itegerezwa kurondera umuti vyihuse.

Ngaha mu Burundi, uwo muhinga avuga ko atamafaranga mvamakungu ahari, bigatuma ibintu vyose turonka bivuye hanze y'igihugu bidaheza ngo biboneke kuko ata mafaranga yo kubigura ahari. Atanga akarorero ku kibazo c'igitoro cabaye ndanse. Ivyo bigatuma kwiyunguruza bidashoboka, isukari ntiboneke, ibinyobwa vya Brarudi vyabuze, abarundi ntibariko barakora kuko bidakunda ko bashika ku mirimo yabo, abarundi barwaye ntibashobora kuja kwivuza kuko bataronka amafranga mvamakungu batwara, n'ibindi.



Foto: Mélance Ndayikeze

Gabriel Rufyiri arongoye ishirahamwe OLUCOME

**Inyishu ni iyihe?**

Gabriel Rufyiri avuga ko Reta ihari ibishatse yoshobora gutora inyishu zihuta, n'izo mu gihe kitari kirekire, n'izo mu gihe kirekirekire nyene.

Bimwe mu biri mu rwandiko yashikirije umukuru w'igihugu, ngo harimwo gutumako vyihuta inama idasanzwe y'abahinga muvy'ubutunzi (Conference internationale), kugira ngo bashire hamwe ivyiyumviro. Ngo umuti woboneka nkuko vyigeze kuba muri kahise.

Nk'uko abandanya abivuga, ngo inama mwene izo, abahinga muvy'ubutunzi bakoranye n'abanyamitahe, intererano zabo ziba zihagaze ku buhinga.

Ivyiyumviro birashirwa ahabona, abanyamitahe nabo bikabaha umwizero w'uko ibikorwa bishoboka kandi vyunguka.

Ikindi asaba umukuru w'igihugu, ngo nuko Reta yoreka kwivanga murudandazwa. Ati: «Igikorwa ca Reta si ukudandaza, ahubwo ni ukugenzura ingene urudandazwa rukorwa. Mu gihe Reta isigaye ari umudandaza iba iriko ikora ivyo itajejwe. Ni naho mubona bica biyangara.»

Rufyiri atanga uburorero butari buke. Ati: «Kw'isi nzima, nta yindi Reta turumva igurira umwimbu abenegihugu hanyuma ngo izosubire uwubashoreko ku giciro gisumba ico yabaguriyeko. Igitoro haraye hashinzwe ishirahamwe rya Reta rikidandaza. Ibikorwa bijanye no kwubaka harashinzwe ikigo ca Reta kibikurikirana gurtyo amasoko yose ya Reta muri ico gisata agaca akorwa na Reta nyene...»

Imbono y'Uburundi bwifashe mu 2040 n'Uburundi buteye imbere mu 2060 ntitwobishikako amashirahamwe akomeye nka BRARUDI, SOSUMO COTEBU n'ayandi atariko arashobora gukora vyogora kwiyumvira ko iryo hangiro tuzorishikako.

Gabriel Rufyiri ngo yipfuza kubonana n'Umukuru w'igihugu kugira amubwire ivyo vyose. Agita ati: «Jewe nibazako umukuru w'igihugu atazi ingene ibintu bimeze. Kumbure tumubwiye uko bimeze n'inyishu tubona vyogira ico bifashije.»

**Melance Ndayikeze**

# Dukomeze ibikorwa, ku buryo umwe wese arimbura ivyo yakoze

(Bitangurira ku rup.5)

riza ubwenge urwaruka kugira rwitunganirize imigambi yarwo, naho nyene harakozwe ibitari bike: Umugambi w'igihugu PAEEJ warashoboye kwigisha uyu mwaka urwaruka rungana 114.984, hakaba havutse n'amakoperative 3473 y'urwaruka yatunganijwe n'inani z'urwaruka hagati mu gihugu.

Muri uwo mugambi wa PAEEJ kuva utangura, urwaruka rungana 38. 664 rwararonkejwe akazi, kandi ico gitigiri gigenda ciyongera. Nko kuva uno umwaka utanguye, hamaze gutangwa ubuzi ku rwaruka rungana 3.485.

Kubera iyo migambi iciye muri ayo makoperative, twaragize ibiharuro, dusanga ubuzi buzovukamwo bwababa 34.032.

Bakozi, Bakoresha,

14. Mu buzima hama hariho ahaduga n'ahamanuka. Duhimbaje uyu musi mukuru mu gihe amakungu ariko arahangana n'ibibazo bitari bike.

15. Ingaruka za ca kiza COVID 19 n'ubu ziracadusesereza, hakiyongerako ibihe vy'intambara isi iriko icamwo, ituma n'abahora baterera mw'iterambere bitwararika ubuzima bw'abenegihugu bari mu ntambara kurusha.

Izo ntambara nyene ziranasinzikaza imihora y'ubudandaji mpuzamakungu, gushikirwa n'ibigurirwa kure bikaba ingorane canecane nk'ibi bihugu vyacu bitagira ibivuko kw'ibahari.

16. Duhimbaje uyu musi mukuru kandi amakungu yose ari mu kangaratete kubera impanuka ziva ku biza vy'ihindagurika ry'ibihe, n'Uburundi burimwo.

Ibihe n'ikirere vyaduhindutse, imvura y'isegenya iriko ihitana abantu n'ibintu.....inzuzi n'ibiyaga biriko birasesa, abantu bagateshwa izabo, ibintu bikononekara ku rugero rudasanzwe, n'ibindi.

Nagira mfate akanya ko guhoza no kwifatanya n'abenegihugu bose bariko barashikirwa n'ivyago biturutse kw'ihindagurika ry'ibihe, tubamenyesha ko Reta iriko irakora ibishoboka vyose kugira ngo boroherwe mu buzima bwabo n'imiryango.

17. Ibi biza vyose tuvuze birafise ingaruka mbi ku butunzi bw'igihugu, ari bwo butuma inzego z'igihugu zigira aho zishika gusa mu kuramira abenegihugu.

Turateye n'akamo Abarundi bose kugumya umutima kuko nta mvura idahita. Ntitwota ubwoko ngo dute umutwe, kuko ngo uheza kugoka ibigori bikera.

Turasavye kandi Abarundi bose kugira umutima wo gufatana mu nda wamye uranga ba sokuru, mu gushigikira mu buryo ubu canke buriya abahuye n'ivyo vyago, tukaba tubaye turakengurukira uwo wese amaze kugira ico akora mu ntumbero y'ukuramira abahanzwe n'amahano batahamagaye, haba mu kubaha indaro canke utwo bafungura.

Barundi benewacu ;

18. Naho biri uko, iki ni igihe co kwiha isomo. Ku vyereye uru rugamba rwo guhangana n'ibihe, murabizi ko isi yose yama mu manama yo guhangana na vyo. Ngaha iwacu, hari ivyo twoshobora kugwanya twebwe nyene kuko ata mazi ava hanze y'igihugu ngo yinjire iwacu.

Mu gihe Abarundi bose bofata nka nkama ka kamo twabatera ko guca imikobeko no gutera ibiti bibana n'ibiterwa, tukimba vya binogo vyo gushiramwo amazi y'imvura ava ku gisenge c'inzu mu ngo zacu, imyuzurira mu nzuzi yogabanuka.

19. Tumenye kandi ko ihindagurika ry'ibihe ritazana gusa imvura y'i-segenya, riranazana n'uruzuba.

Ni haba mu karere kacu haguye imvura y'umurengera, tumenye ko hari ubundi burere na bwo bwabuze imvura.

Ni co gituma n'ubu nsubiye kubatera akamo ko twokingira imyonga yacu, tubike amazi y'imvura, twongere tumenyere kurima mu ci tuvomera.

Turashimiye abenegihugu bamaze kwerevuka, bakavomera mu ci; ari co catumye umwimbu ugwira mu gihugu. Twese duhamagariwe kubigana muri iyo ngendo nziza.

Barundi mwese bavukanyi;

20. Tukiri ku vyatumye umwimbu ugabanuka, uretse ivyo bitatuvuyeko, hari n'ivyavuye ku bubegito bw'abakorera igihugu.

Ivyo na vyo, ni uko hacibonekeza ku ndongozi agatima ko kudakunda igihugu n'abenegihugu, bikabonekera ku bunebwe, gukoresha nabi ubutunzi bw'igihugu, kurya ibiturire, ikena ry'a-karangamutima mu kazi ka Reta, hamwe no kudakurikiza intumbero y'igihugu mu vyo ukora.

21. Ivyo rero na vyo bidusaba kwisubirako, hanyuma abadashaka guhinduka bafatirwe izindi ngingo zotuma baja ku kivi. Kandi abo na bo bomenya ko ubu tugiye gukora ibishoboka vyose kugira amategeko agenga ibikorwa vya Reta akurikizwe.

22. Ni co gituma mbaye ndabamenyesha ko tugiye kuzokoresha ubuhinga bwa none bimwe bita « système de pointage électronique », ku buryo uwusivye ku kazi, uwucerewe canke aceeza akazi azoboneka bukwi na bukwi.

*Biracaza*

**Ndongozi y'Uburundi**

# Isoko nkuru ya Bujumbura igiye gusubira kwubakwa


Foto yo mu bubiko

Mw'itangazo NO 6/2024 ry'Inama y'Abashikiranganji yo ku wa gatatu igenekerezo rya 8 Rusama 2024, Umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro yarashikirije Inama Nshikiranganji urwandiko rwerekana amashusho y'intangamarara y'iyubakwa ry'ikibanza cahozemwo isoko nkuru ya Bujumbura.

Urwo rwandiko rushikiriza uburyo bubiri iyo soko yokwubakwamwo. Uburyo bwa mbebe bukaba ari kwubaka inyubakwa amahero y'ubudandaji, ingoro y'amakoraniro yojamwo abantu bagera ku bihumbi bitatu (3000), ihoteri nini nziza y'ingenzi yo ku rugero bita « 5 Etoiles « mu gifaransa, n'ibindi.

Uburyo bugira kabiri kukaba kwoba ukwubaka inyubakwa nini cane igabuwemwo gatatu : igorofa nini igeretse incuro 30 harimwo amamangazini ibihumbi bitatu (3000), ingoro y'amakoraniro yokwakira abantu basahika igihumbi (1000), ihoteri nini y'ingenzi yo ku rugero bita « 5 Etoiles » mu gifaransa, n'ibindi.

Inama Nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yarashimye igikorwa cakozwe, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Gutegura igicapo cerekana iminara itatu nka za nyenyeri z'ibendera y'igihugu cacu, kigashikirizwa inama nshikiranganji mu kiringo c'amezi atatu ;

-Gusukura ikibanza cahozemwo isoko nkuru ya Bujumbura, kikaba ikibanza kigaragara, ariko ibirimwo bigahabwa agaciro ;

- Kurondera abahinga n'uburyo kugira ngo ibikorwa vy'intangamarara bikenewe bikorwe, maze iyo soko ishobore kwubakwa.

Tubibutse ko isoko nkuru ya Bujumbura yari yuguruwe mu mwaka w'1994, ariko kw'igenekerezo rya 27 nzero 2013 irasha iratokombera. Umugambi w'igihugu w'iterambere wa 2018 – 2027 usubiwemwo urategekanya iyubakwa ryayo, kuko yari ifise akamaro nta ngere ku butunzi bw'igihugu.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Mu Burundi Reta yarananiwe…



Ngo **Umukuru** w'igihugu akwiye gushiraho Reta irimwo abahinga babimenyereye kugira bahangane n'ikibazo c'ubukene. Ivyo ni ivyashikirijwe na Faustin Ndikumana atwara PARCEM, mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru ku wa gatatu igenekerezo rya 8 Rusama 2024, mu gihe yariko ashikiriza ivyokorwa, inyuma y'aho Umushikiranganji wa mbere wa Reta y'Uburundi, Gervais Ndirakobuca, amenyesheje ari imbere y'Abashingamateka ko gushika ubu ata co Reta ibona yokora ku bibazo vy'ukubura ibitoro bimaze iminsi vyibonekeza, ugasanga bifise inkomoko kw'ikena ry'amafranga y'agaciro ari nayo ntandaro y'ibura ry'igitoro mu Burundi, ikena ry'ibinyobwa bihingurwa na Brarudi, isukari n'ibindi nkenerwa mu buzima.

Ico gihe Umushikiranganji wa mbere wa Reta y'Uburundi, Gervais Ndirakobuca yaravuze kandi ko ibibazo biriko biribonekeza uyu munsi ari ingaruka mbi zaturutse ku bihano vyafatiwe Uburundi kuva mu mwaka w'2015.

Faustin Ndikumana akabona ko kw'isi yose ata na hamwe Reta yoshobora kuvuga ko yobura inyishu ku bibazo, ahubwo nyabuna ko itegerezwa gukora ibishoboka vyose kugira itorere umuti ibibazo biba bihanze abanyagihugu.

Faustin Ndikumana aributsa ko Reta iri mu migwi ibiri: Hari umukuru w'igihugu aba afise ivyiyumviro vyiza aba yifuza ko vyorangurirwa abarundi, ariko hakaba hariho n'urwego nshingwabikorwa rwiwe rwa Reta. Akabona ko iyo Reta, kuba yarananiwe n'ugutorera inyishu ivyo bibazo, akwiye kuyihindura, agashiramwo ababimenyereye, bafise ubuhinga kandi babunyoye.

Kuri we, Reta yari ikwiye gusaba ideni ryihuta ariko inyungu yaryo ikaba ari iyitavuna. Ikindi ngo Reta yokwihutira kugiriranira imigenderanire myiza n'abahora bafasha Uburundi, kuko ngo gushora ikawa n'amavoka kugira ngo bizotorere umuti ibibazo dufise uyu munsi, ari inyishu ya ya kazoza, haheze igihe kirekire.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Uburenganzira bw'umwana bwo kugira umuryango



Umuryango niryo shingiro kandi kirumara ry'igihugu. Nico gituma ufise uburenganzira bwo gukingirwa n'igihugu ico arico cose.

Umuryango tuvuga ngaha, ni abavyeyi bibarutse umwana, babwirizwa kumurera agakura, bagaha umwana vya nkenerwa gushika ashike mu bigero, azogire ico yimariye, ico amariye umuryango n'igihugu.

Uburenganzira bwo kugira umuryango rero, burategekanijwe haba ku rwego mpuzamakungu ndetse no ku rwego rw'Uburundi.

**I.1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo kugira umurya ngo**

Uburenganzira bwo kugira umuryango butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye:

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye politike,

*Hamwe no mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana.

Umwana afise uburenganzira bwo kugira umuryango kandi akabana n'abavyeyi.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 9 y'amasezerano mpuzamukungu yubahiriza agateka k'abana, umwana afise uburenganzira bwo kubana n'abavyeyi biwe, kiretse mu gihe vyoba biciye kubiri n'ineza yiwe.

Arafise kandi uburenganzira bwo kubonana n'ukugira imigenderanire n'abavyeyi biwe bompi mu gihe abana n'umwe gusa canke ata n'umwe babana.

Umwana rero ashobora kuba abana n'abavyeyi canke batabana, ariko baguma bitwa umuryango kandi agumana uburenganzira bwo kugiriranira imigenderanire nabo.

Nk'uko tubisanga mu gace ka 2 k'ingingo ya 10 y'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, umwana afise abavyeyi bataba mu gihugu kimwe, arafise uburenganzira bwo kugira imigenderanira no kubonana n'abavyeyi biwe mu gihe ata kindi kibibuza.

Uburenganzira bwo kugira umuryango rero ni ntangere, kuko niwo utuma umwana atera imbere gushika agere mu bigero.

Ingingo ya 18 y'aya masezerano, ivuga ko uruhara rwo kurera umwana rwega abavyeyi ubwa mbere na mbere kandi bafatanije.

Ingingo za 20 na 21 nazo zivuga ko, umwana bishitse ntagire umuryango umurera kubera imvo zitandukanye, Reta itegerezwa kumuronderera umuryango umurera akuriramwo, ivyo bigakorwa hakurikijwe imico n'inkomoko y'umwana.

Zivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano, bishigikira ko umwana aronka uburenganzira bwo kwitirirwa uwundi muryango ariko biciye mu mategeko, kandi vyabanje kuraba neza ko ineza y'umwana ariyo ishizwe imbere.

Nk'uko tubisanga mu gace a k'ingingo ya 21 y'aya masezerano, kugira umwana aje kuba umurerano, biba vyagaragaye ko adafitaniye imigenderanire myiza na se, nyina, ndetse n'abandi baryango canke abamuserukira imbere y'amategeko.

Nk'uko uburenganzira bwo kugira umuryango bwubahirijwe ku rwego mpuzamakungu, no ku rwego rw'Uburundi ubwo burenganzira burubahirijwe, kuko hariho amategeko n'amabwirizwa yerekana ingene ubwo burenganzira bwo kugira umuryango bwubahirizwa. Reka tubirabire hamwe muri kino kigabane gikurikira.

**I.2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kugira umuryango**

Hano iwacu mu Burundi, uburenganzira bwo kugira umuryango buraregekanijwe kuko hariho amabwirizwa n'amategeko ahari yerekeye ingene butegerezwa kwubahirizwa.

Aha twovuga nk'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi.

Mu muryango ni ho umwana aronkera indero runtu ahabwa n'abavyeyi biwe, agakingirwa, ndetse akanakorerwa n'ivyo vyose bizomufasha gutera imbere.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 30 y'Ibwirizwa Shingiro rya Repubulika y'Uburundi, abavyeyi basanganywe uburenganzira kama bwo kurera neza abana babo, kandi barabitegerezwa.

Igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi kirategekanya

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umwana bwo kugira umuryango

(Bitangurira ku rup.10)

ingene uburenganzira bwo kugira umuryango butegerezwa kwubahirizwa.

Nk'uko twabonye ko mu muryango ariho umwana ategerezwa gukura ivya nkenerwa vy'ibanze bizomufasha gutera imbere, ingingo ya 284 y'ikigitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi, iravuga ko ububasha bw'abavyeyi ku mwana wabo bujanye n'ivyo se na nyina bashobora kumugirira ku neza yiwe, kubimuraba we nyene hamwe n'amatungo yiwe.

Ubwo bubasha buhera iyo umwana ashikanye imyaka yo kwitunganiriza ivyiwe.

Mu muryango w'umwana rero, ububasha bw'umuvyeyi burimwo iteka ryo kurera umwana, kumubeshaho no kumuha indero bakurikije ingene bamerewe n'uburyo bafise. Tubisanga mu ngingo ya 289 ya kino gitabu.

Ingingo ya 291 ivuga ko se na nyina b'umwana ari bo bamuserukira mu vyerekeye ubuzima bwiwe kandi bashinzwe kumubungabungira amatungo yiwe kiretse ayo yirondereye mu kazi kiwe badasangiye n'abo bavyeyi biwe.

Abavyeyi kandi bararangura ibikorwa vyose bijanye n'ineza y'umwana mu muryango hamwe n'ugukoresha amatungo yiwe mu buryo bumwungukira. Tubisanga mu ngingo ya 292.

Ariko n'aho biri uko, nk'ukotubisangamungingo ya 294, uburenganzira bwo kubungabunga itunga ry'umwana burakwa umuryango w'umwana mu gihe batswe ububasha ku mwana, bugahabwa umuryango mushasha uhawe kurera umwana.

Iyi ngingo iratomora ko uburenganzira bwo kubungabunga itunga ry'umwana, buhagarikwa ku muryango uwo ariwo wose mu gihe umwana amaze gushikana imyaka y'ukwitunganiriza ivyiwe.

Dushobora kwibaza duti mbega mu muryango bigenda gute ngo abavyeyi, se canke nyina b'umwana canke umuryango umureze bakwe ububasha ku mwana.

Ingingo ya 298 ya kino gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi iravyerekana neza.

Ivuga ko bisabwe n'uwo wese vyerekeye canke umushikirizamanza, sentare y'intango irashobora kuba irahagaritse ububasha bw'ubuvyeyi, se canke nyina bafise ku mwana wabo, canke ikabubaka ubutacisubirako iyo se na nyina barenga akarimbi mu gukoresha nabi ububasha canke bagaturubika umwana hamwe n' iyo biboneka ko se canke nyina adakwiye iryo banga kubera yigenza nabi canke atabishoboye, igaca igirako ironderera umwana umuryango umurera.

Ingingo ya 300, iravuga ibihe bitandukanye bituma umwana arondererwa umuryango umurera. Ivuga ko umwana arondererwa umuryango umurera mu gihe atarashikana imyaka y'ukwitunganiriza ivyiwe, iyo umuvyeyi yari asigaye apfuye, yazimiye canke akaba yaratswe ububasha ku bana biwe.

Sentare itabishinze yo nyene, uwo wese vyerekeye, canke umushikirizamanza arashobora gusaba sentare ko hogenwa umurezi.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 301 umuvyeyi arashobora kugena ubwiwe umurezi w'umwana. Uti bigenda gute? Ingingo ya 302 irabitubwira neza. Umuvyeyi yari asigaye iyo ari ku mpfiro, arashobora gutora uwosigara ararangura ibanga ry'uburezi.

Kubera ko uyo muntu atowe ataba ari mu bagize inama y'umuryango, abayigize bategerezwa gukorana bakaraba ko akwiye kwemererwa kurangura iryo banga ry'uburezi, bagaca babimumenyesha.

Nk'uko iyi ngingo ibandanya ibivuga, uyo murezi afise ikiringo c'imisi 15 ngo yemere canke ahakane iryo banga.

Iyo umuvyeyi yari asigaye yitavye Imana adasize avuze uwuzoca aba umurezi w'umwana kugira ngo abagize inama y'umuryango bace babimumenyesha, Inama y'umuryango ubwayo irafise uburenganzira bwo gukorana ikagena uwuzoba umurezi w'umwana, mu ntumbero yo kwubahiriza bwa burenganzira bwo kugira umuryango.

Tubisanga mu ngingo y'303 ivuga ko, inama y'umuryango igena umurezi mu gihe umuvyeyi yasize atavuze uwo agenye ngo azorangure ibanga ry'uburezi, iyo uwo umuvyeyi yasize agenye inama y'umuryango itamwemeye canke iyo umurezi umuvyeyi yasize agenye atemeye kurangura iryo banga.

Mu gusozera, twomenya ko uburenganzira bwo kugira umuryango ari ubwa zina mwana wese kuva akivuka, ategerezwa gukurira mu muryango, kandi akaharonkera ivyo vyose vy'ibanze bizotuma atera imbere akagira ico yimariye, ico amariye umuryango n'ico amariye igihugu.

Yaba amategeko mpuzamakungu canke amategeko yo ngaha mu Burundi, arerekana ko uburenganzira bwo kugira umuryango butegerezwa kwubahirizwa, umwana akarerwa n'abavyeyi biwe, iyo batswe ububasha bwo kumurera naho akarondererwa uwundi muryango umurera, kugira ngo uburenganzira bwiwe bwo kugira umuryango bugume bwubahirijwe .

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Umusi mpuzamakungu ugira uwa 58 wahariwe ukumenyesha amakuru muri Ekleziya Katolika waraye uhimbajwe

(Bitangurira ku rup.4

ati: «Tugende tugana urwo ruhande rwiza rwabwo, dutegere ivyo benewacu bategura, maze iciza kirimwo tugikoreshe kugira ngo dukorere ineza umuntu duharanira iteka ryiwe, tubane neza, twongere duteze imbere n'isi tuyitumbereze».

Akarangiza avuga ati «Nta muntu vyoca integе, kuko urwo ruhande rubi atari rwo rwonyene rukwiye kuburanga.

Iterambere mu buhinga ngurukanabumenyi bwa none rimaze igihe ryibonekeza muri iyi myaka ,ryarahinduye vyinshi mu buzima bw'imibano y'abantu muri rusangi no mu nkingi zabwo.

Ivyo bikoresho bishasha ngurukanabumenyi birahindura itunganywa n'ingendo yo guhanahana amakuru, ugutunganya ivy'intwaro, ivy'inyigisho, ivyo kwibeshaho, ivy'imigenderanire mu bantu eka no mu zindi mpande zitandukanye z'ubuzima bwa misi yose.

Bisubiye kandi, biribonekeza neza ko mu gukoresha, ku bwinshi, ubuhinga butandukanye burimwo iminyuro myinshi yuzuzanya, abahinga barashobora gusokora bagatora ivyo bakeneye kugira ngo binjire mu rubuga, mbere bagenzure ivyo abantu bamamwo canke bakorerayo bijanye n'imigenderanire hagati yabo.

Ivyo babigira bishimikije inyungu zabo zitamenywa n'abifashisha ubwo buhinga mu buryo busanzwe; izo nyungu na zo usanga zifatiye ku rudandazwa canke ku vya politike.

Bene vyo ntavyo baba baciye n'ikanda, bigatuma badashobra kwisanzura no kwiyumva hageze guhanahana amakuru canke ivyo bakora.

Nkako, kubera ko urubuga ngurukanabumenyi rwama rwuzuye amakuru y'umurengera, abahinga barashobora gucekera amakuru ku buryo bene kwifashisha ubwo buhinga ata na kimwe bamenya. Dutegerezwa kwibutsa ko ubushakashatsi mu vy'ubumenyi no mu vy'ubuhinga bwama bugirwa buri n'ico bwisunga, kuko bufatira ku mico y'igihe abantu bagezemwo.

Kubera ko ari ibikorwa bihingurwa n'abantu, vyama vyisunga intumbero ifatiye ku mico n'imigenzo y'abantu, ku kibano no ku gihe abantu bagezemwo.

Tubamenyeshe ko umunsi nk'uyo wariko urahimbazwa no muri Diyoseze ya Ngozi, ku mugwa mukuru w'intara ya Kayanza.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Umugambi «Merankabandi» urashigikiwe na Reta




Umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka muntu n'iterambere ridakumira yarashikirije urwandiko rumenyesha uburyo bw'amafaranga yongewe umugambi « Merankabandi »

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro amahangiro y'imbonakazoza y'Uburundi bwifashe mu mwaka w'2040 , buteye imbere mu mwaka w'2060, Reta y'Uburundi yarasavye Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere, uburyo bushika ku miriyoni mirongo itanu z'amadolari y'abanyamerika, ubwo buryo bwiyongera ku yari yaratanzwe ; kugira ngo Uburundi bushobore guhangana n'ingaruka z'ihindagurika ry'ibihe, hamwe n'ibibazo vy'ubutunzi.

Uwo mugambi wongewe ikiringo c'umwaka, ukazorangira kw'igenekerezo rya 31 Kigarama 2027.

Inama Nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yarakengurutse iyo mfashanyo, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Gukorera mu muco mu kugira intonde z'abafashwa n'uyo mugambi ;

- Gutsimbataza ivyerekeye kwungura ubumenyi abantu bafise uburyo batazi kubukoresha, bigishwe ;
- Gutsimbataza no kugenzura inzego zashizweho ngo zikoreshe neza ayo mafaranga ;

- Gukora ibishoboka ngo uburyo bwatanzwe bube umutahe wo kubandanya inyuma y'ikiringo c'umugambi.

Umugambi « MERANKABANDI» watangujwe kw'igenekerezo rya 22 Ndamukiza 2022, waje gushigikira abantu bakenye kuruta abandi mu gihugu hagati, mu kubarungikira amafaranga mu materefone. Ivyo bikunganirwa n'ibindi bikorwa bibafasha mu kwiteza imbere.

*Patiri Noël Ntirandekura*